# ITANGAZO RY'INGIRAKAMARO KU MPUNZI ZOSE NO KUBASABA UBUHUNGIRO KU VYEREKEYE KORONAVIRUS (CORONAVIRUS - COVID-19)

Nkuko mubizi, muri Kenya hari itegeko rikangurira abantu kutagenda genda hirya no hino. impunzi zose ndetse nabasaba ubuhungiro basabwe kuguma aho bari kandi ntibemerewe kuhava badafise urupapuro rw'inzira (movement pass).

Kwigenekerezo rya 15 z'ukwezi kwa gatatu 2020, leta ya kenya yasohoye ingamba nshasha zo kugira ngo bakingire ikwirakwizwa ry'umugera wa Korona (COVID-19). Kugira ngo bakingire ikwirakwizwa ry'uwo mugera, gutanga impapuro z'inzira vyarahagaritswe kuva igenekerezo rya 16 z'ukwezi kwa gatatu 2020.

Niba warijanye kuba Nairobi canke ahandi hanu ahariho hose udafise urupapuro rw'inzira, ushobora gufatwa. UNHCR nta kintu izogufasha kuvyerekeye iyimurwa ry'imyirondoro yawe canke ubufasha wahabwa mu nkambi. Ntabwo bizokunda kusubira mu nkambi ya Kakuma canke Dadaab kuko nta mpapuro z'inzira zigitangwa. Uzoguma Nairobi n'ahandi udafise ubufasha bukwiye.

Niba ufise ingorane munkambi, usabwe kuja kubiro vya RAS canke UNHCR kugira ngo zitorerwe umuti.
Canke ugahamagara ku nimero ya UNHCR: *0800 720063.*